***Uguhamagarira amashirahamwe y' abagendana ubumuga gutegura imigambi miti mito yunguka***

## 1. *Icatumye duhamagarira amashirahamwe y'abagendana ubumuga gukora imigambi mito mito*

COPED (Conseil pour l'Éducation et le Développement), ni ishirahamwe ry'abarundi ridaharanira inyungu (ASBL) rikorera mu rwego rwo guteza imbere abenegihugu b'aburundi mu buryo burama. COPED ifise ihangiro yo gufasha mu kubaka isi nziza biciye mu bikorwa vyo kugabanya ubukene, gushira imbere amagara y'abantu, Uburezi, imboneka ry'ibifungurwa bikwiye, ibidukikije mu kubahiriza agateka ka zina muntu.

COPED iri mu runani rw'amashirahamwe CARE n'Urunani rw'amashirahamwe y'abantu bagendana ubumuga mu Burundi (RCPHB) mu ntumbero yo gushira mungiro umugambi wo kwongereza ubushobozi bw'amashirahamwe adaharanira inyungu za politique kugira ngo haboneke uburundi buzira ikumirwa, "NDINKABANDI". Ihangiro nyamukuru y'uyu mugambi ni ugushigikira amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike (OSC) kugira ngo haboneke iterambere ryiza k'ubutunzi n'umubano ridakumira kandi rirama mu Burundi. Ihangiro nyezina ni: (1) Kongerereza ubushobozi (ubuhamya), guhuza amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politique no kwongerereza itunganywa ry' ibikorwa vy'ayo mashirahamwe akorera mu rwego rwo guharanira idakumirwa ry'abagendana ubumuga, (2) Gukomeza ibikorwa vyo gusabira abagendana ubumuga mu Burundi kugira ngo amategeko n'ingamba ziriho bikurikizwe koko kugira bishobore gutanga umwisanzuro mu buzima bw'abantu bagendana ubumuga, na (3) Guteza imbere biboneka iboneka ry'akazi no kwinjira mu buzi bwa Reta canke abikorera utwabo bw'abantu bagendana ubumuga, mugushira imbere abakenyezi n'abakiri bato.

Mu ntumbero yo kugera kw'ihangiro nyezina rya 3, COPED irategekanya gushigikira amashirahamwe canke ihuriro ry'abagendana ubumuga mu gushira mungiro imigambi mitomito, cane cane amashirahamwey'abagore, abakiri bato n'abagendana ubumuga bwatewe n'intambara. Amashirahamwe y'abagendana ubumuga isabwe gutegura imigambi mito mito izana inyungu, agafasha abagendana ubumuga kuronka akazi igateza imbere ubutunzi n'imibereho ndetse no kugera ku bwigenge mu butunzi no mu mibereho.

## 2. Amashirahamwe yemerewe gutanga no gushigikirwa mu migambi yabo

Amashirahamwe yemerewe gushigikirwa mu kurangura imigambi mitomito niyi :

- Amashirahamwe canke coperative y'abantu bagendana ubumuga yemewe kandi ikorera mu karere umugambi NDINKABANDI ukoreramwo;
- Amashirahamwe y'abigeme, abakenyezi n'abakiri bato bagendana ubumuga ;

## 3. Imigambi yemerewe gushigikirwa

Imigambi yemerewe kuzofatwa mu mugongo ni nkiyi :

- Imigambi ifise iciyunviro co kuronsa abagendana ubumuga akazi n'ukuduza ubutunzi bwabo ;

- Imigambi ifise iciyunviro co gufasha kwigisha abagendana ubumuga ivyubutunzi kuburyo bashobora kuronka ingurane mu ma banki;
- Imigambi ifatiye kubuhinga bworohera abagendana ubumuga.

4. **Ibirabwa mu gutora imigambi :**

Ibirabwa mu gusuzuma n'ugutora imigambi izofashwa n'ibi:

- Abafashwamugambi mw'ishirahamwe barenga 10;
- Gushiramwo abakenyezi, abakiri bato n'abamugariye mu ntambara mu migambi y'iterambere mu mibano n'ubutunzi;
- Imigambi iramba;
- Imigambi yisunga ibidukikije mukuraba ko atangorane ishirwamungiro ry'umugambi ritonona ibidukikije;
- Imigambi yisunga ibimenyetso vy'ishirwamungiro ibereye: ikenewe, ikoreka, itwara uburyo butarengeye, iramba, itanga impinduka;
- Imigambi ishobora gushira imbere ubutunzi mpanahanwa;
- Umugambi ushingiye kuciyunviro gishasha.
- Umugambi umwe kw'ishirahamwe;
- Uburyo busabwa mugushira mungiro umugambi utarenze imiliyoni mirongo ibiri z'amarundi (20 000 000 Fbu).

5. **Impapuro zisabwa**

Impapuro zisabwa kugirango utange umugambi nizi:
- inyandiko mugambi y'iciyunviro c'umugambi ishirahamwe ryatanze kugira uzofashwe, inyandiko nyisungo ishobora kuronswa ku gasandugu ngurukanabumenyi joachimnjejimana@coped.org canke ukayironka uciye kubuhinga ngurukana bumenyi coped@coped.org.
- Ikete ryerekana ko ishirahamwe ryemerewe mumategeko gukora kumugaragaro, n'abanywanyi bagize ishirahamwe herekanwa igitsina, imyaka y'amavuko yabo, ko bagendana ubumuga canke atabwo bagendana;
- Ibiranga ko bakoze imigambi muri kahise naho bayikoreye.

6. **Uburyo iyo migambi izotangwa**

Amashirahamwe y'abagendana ubumuga avyifuza asabwe kuzorungika inyandiko y'imigambi yayo, mu rurimi kw'ikirundi canke igifaransa kubabishoboye, ku biro bikuru vya COPED biri mwi Rohero ya mbere kwibarabara ryitiriwe Petero Ngendandumwe, inzu y'ibikorwa (Maison des oeuvres) igorofa ya 4 iri mwitongo inimero 32.

Uwobishobora yorungika ku buhinga ngurukana bumenyi agasandugu k'inyandiko gakurikira: coped@coped. org, agaha ubutumwa nkwirikiranwa kuri joachimnjejimana@coped.org mukwandika igituma c'iryo kete: umugambi NDINKABANDI/ Gutanga umugambi uzorangurwa /izina ry'ishirahamwe.

COPED
Imbl.«Maison des oeuvres.»
Avenue P. NGENDANDUMWE
B.P 3792 BUJUMBURA2 - BURUNDI
Tél: 22 24 46 27Fax. +257 22 24 37 56
coped@coped.org www.coped.org

Umuyobozi wa COPED ku rwego rw'Igihugu

Abbé Dr Jean Claude NDAYIKENGURUKIYE